Ibibazo n'inyishu kubijanye n'umugera wa Sida

Ikibazo: Umugera wa Sida ni iki?
Inyishu: Ni umugera utera indwara ya Sida. Umugera wa sida wandurwa biciye munzira zitatu gusa: biciye mumibonano mpuzabitsina, biciye muguhuza canke muguhanahana amaraso, canke naho umuvyeyi akayanduza ikibondo ciwe. Ni ibintu bike dusangamwo umugera navyo ni nk'ibi: mu maraso, mu ntanga (imbuto z'umugabo), mu mazi yo mubihimba vy'irondoka vy'umugore, be no mu maberebere. Umugera wa Sida rero uza urasambura bukebuke uduce tw'umubiri dusanzwe dukingira umuntu ngo ntarware.

Ikibazo: Indwara ya Sida ni iki?
Inyishu: Indwara ya Sida ni indwara ituruka kumugera wa Sida? Hari uburyo bubiri bwo kumenya ko umuntu arwaye Sida. Uburyo bwambere ni ubwo kwa muganga bumenyesha aho umugera ugeze babanje gupima amaraso, iyo umugera wakuze (warwiriye) baca bavugako umuntu arwaye sida.

Ikibazo: Abantu bose bagendana umugera wa sida baba barwaye sida?
Inyishu: Oya. Umuntu arashobora kugendana umugera wa Sida ariko atarwaye indwara ya sida. Indwara ya sida, twovugako ari inkurikizi (ingaruka) y'umugera wa sida, kuko ariwo uyitera. Muvy'ukuri, abantu bagendana umugera wa sida barashobora kumara imyaka myinshi uwo mugera utarashobora kubasinzikaza ngo ubatume barwaragurika. Umugera siwo wonyene utuma abarwayi ba sida basandaba; ariko bahwera kubera umugera wasinzikaje umubiri wabo ntube icirwanira, hagaca haba iyindi ndwara y'icuririzi ibonerwaho ko umubiri udashoboye kwirwanira, igaca iba ariyo ihitana umurwayi wa sida.

Ikibazo: None umugera wa sida wandukira gute?
Inyishu: Munzira zitatu umugera wandurwamwo (mumibonano mpuzabitsina, muguhanahana (muguhuza) amaraso, be n'igihe umuvyeyi yanduza ikibondo) hari ibintu bimwebimwe twofata nkama. Umugera wandurwa iyo umuntu atarawandura ahuye n'uwundi awugendana m nzira imwe muri izo zitatu). Uwo atari bwandure aca yandura. Abandura nka bose, ibice 85 kw'ijana, bandura biciye mumibonano mpuzabitsina.

Ikibazo: None nokwikingira gute uwo mugera?
Inyishu: Intambwe yambere ni ukwipimisha ukamenya ingene amagara yawe ameze. Muri ico gihe niho woca uhindura inyifato n'imigenzo wisunze ko

wanduye canke ukomeye. Abakenyezi bibungenze bagendana umugera wa sida borondera imiti igabanya impanuka zo kwanduza ibindo vyabo – henshi iyo miti bayitanga kubuntu. Twokwitaho gutworora canke guteka ibikoresho bitobora uruhu kugirango twice uwo mugera. Ariko, igikomeye n'uko twokwirinda gutizanya ivyo bikoresho, niho twoba twikingiye kwandura muri iyo nzira. Mukwirinda kwandura biciye mubihimba vy'irondoka naho, twokwihangana tukirinda kurangura imibonano mpuzabitsina, twogira umugenzi umwe rudende tuzi neza ko akomeye, twokwirinda kugirana imibonano mpuzabitsina n'abantu benshi, twojana n'abagenzi bacu kwipimisha kugira tumenye ko bakomeye, hanyuma rero tugakoresha uburyo bwo kwikingira, nk'udukingirizo.